Rasta

Umunywanyi w'umugambwe utavuga rumwe n'ubutegetsi yakubiswe n'urwaruka rw'umugambwe uri ku ubutegetsi gushika apfe

Hagati mu kwezi kwa Rusama 2021 amakuru ku rupfu rw'umugabo batazira Rasta, mu ntara ya Bubanza yaratanguye kumenyekana. Buke buke, ido n'ido kuvyamuteye gusandaba vyaramenyekanye.

Ku wa 14 Rusama 2021, mu masaha icenda z'ubuca, umunyagihugu aba kumutumba uri kure mu ntara ya Bubanza yikanguye yumva abantu batera induru : « Umusuma ! » Yatoye isitimu n'igipanga kugira yikingire hanyuma akurikira iyo induru ivugira gushika aho yahuye n'umurwi w'Imbonerakure (urwaruka rwo mu mugambwe uri ku butegetsi) zaho nyene bariko barakubita Rasta, umunywanyi w'umugambwe CNL utavuga rumwe na reta. « Ntimubona ko muriko mumugirira nabi ? » Yabajije babiri muri izo mbonerakure yari azi. « Mushobora kugira ingorane. »

Imbonerakure ntizumvirije ivyo avuga ahubwo zaciye zimutegeka kubaha igipanga ciwe. Amaze kuvyanka, baciye basubira gukubita Rasta bakoresheje amashami y'ibigazi vyumye, bamwagiriza ko

yivye ibigori vyari mugasaho kiwe. Barongeye bamukubita imigere n'ingumu basemerera : « Kubita ico kijuju ca CNL ! », « muhongore amenyo ! » Naho Rasta yari yabasiguriye ko ivyo bigori ari ivyo bari bamuhaye.

Rasta yari nciyaho, umuntu atagira aho aba yarazwi gusa ku gatazirano kiwe. Abavyeyi biwe bakomoka muri ako karere ariko bari barapfuye imyaka myinshi imbere yaho mu gihe abandi bo mu muryango wiwe wagutse bari baramwihakanye. Nk'umunywanyi w'umugambwe CNL, yari umukorerabushake yakubura ku ngoro y'umugambwe ku mutumba akanagirira isuku ico kibanza, agatema ivyatsi, akoza amadirisha. Muri kahise, Imbonerakure zari zaramwinginze ngo yinjire mu mugambwe uri ku butegetsi ariko igihe cose yaravyanse.

Nta cemezo ko Rasta yazize umugambwe aturukamwo naho Imbonerakuri zari zizi ko ari umunywanyi wa CNL. Umuntu azi neza ivyabaye yavuze ati : « Ntamuntu numwe nari bwabone yicwa azira ubusuma, mumyaka yose nabaye aha ... Rasta yahanywe uko kwose azize umugambwe wiwe. »

Bamaze kumukubita, Imbonerakure zimwe zatwaye Rasta ku kirindiro c'igipolisi. Umupolisi yari kw'izamu yaranse kumupfunga kubera ibikomere binini yari afise aca ategeka Imbonerakure kumujana kw'ivuriro ritoya. Imbonerakure zaciye zimushira kubiro vy'intwaro iruhande y'ikirindiro c'igipolisi zica zirigira.

Mu nyuma zaho mu gatondo, abantu benshi barashengereye hirya no hino Rasta. Yariko arava amaroso mu kanwa kandi ntivyamworohera kuvuga. Mu bubabare bwinshi, yarashoboye kuvuga mu bwongoshwa amazina y'Imbonerakure zimwe zamukubise : Félix, Désiré, Nyenimana n'Imbonerakure yo murako karere batazira Vyanka.

Umwanya muto inyuma yaho, umukuru w'umutumba, Emmanuel Ndayiragije, yarafashije Rasta gushika kw'ivuriro rito ariko uwurongoye iryo vuriro yaranse kumwakira. Yavuze ko atoshobora gusigurira abategetsi ingene umuntu ameze ukuraho nka Rasta yapfiriye kw'ivuriro rito.

Abamubonye baremeje ko Rasta yari yakomerekejwe bikabije. Yashobora kuvuga no guhagarara bigoranye kandi umubiri wiwe wari wuzuye ibikomere. Ibihimba vyirondoka vyiwe vyari bivyimvye biboneka ko vyari vyakubiswe. Ivuriro rito ntaco ryamufashije ariko umukozi w'aho badandariza imiti yaramugiriye impuhwe aca amutera urushinge kugira amurokore.

Ndayiragije n'Imbonerakure zimwe baciye batwara Rasta kw'ishure ryo murako karere baca bamuta aho wenyene kw'ibaraza. Mw'ijoro, Rasta yaciye yitaba Imana. Ikiziga ciwe cabonetse bukeye mu gitondo ku biro vya CNDD-FDD vyo mu karere. Ntawuzi ingene cashitse aho hantu.

Kuwa 15 Rusama, abanyagihugu, harimwo n'umwe mubarongoye Imbonerakure, baciye batora ikiziga ca Rasta, bagishira mw'igunira hanyuma bakijana mu kaburi ko mwako karere baragihamba. Umunyagihugu

umwe yagize ati : « Yahambwe nk'imbwa ». Bahejeje kumuhamba, Imbonerakure zaciye zitangura kwegeranya amafaranga mw'isoko yo gukaraba, umugirwa w'ikirundi aho banywa inzoga bavuye ku maziko. Abanywanyi ba CNL barahaserutse vyihuta barafasha. Hari umunyagihugu yibuka ko hari umunywanyi wa CNL yidoze : « Ni gute mutegeranije amahera yo kugura isandugu yo kumufubana iteka ariko mukegeranya amahera yo kunywa ? Oya, birarenze ! »

Imbere y'uko Rasta yitaba Imana, uwahoze ari umutware ku mutumba, umunywanyi wa CNDD-FDD, Emmanuel Nimpagaritse asa nuwari yashigikiye ikubagurwa rikorwa n'Imbonerakure. Imisi ibiri imbere y'igitero, Nimpagaritse yavuze mu nama y'umutekano ati : « Murabona ko muri iyi misi ubusuma bwabaye ndanse. Kuva uyu musi, mugafata umusuma, mumukubite canke mumwice ! »

Umuntu umwe mubitavye inama yaravuze mu nyuma ati : « Amajambo ya Nimpagaritse twayumvise nko guhamagarira abantu guhohotera abandi. None ehe raba inyuma y'imisi ibiri Rasta yaciye yicwa. Je mbona ko ari itegeko (Nimpagaritse) yahaye Imbonerakure. »

Inyuma y'urupfu rwa Rasta, igipolisi caragaragaje ugushaka ko abagize uruhara bobibazwa. Umusi w'amaziko ya Rasta, Edouard Mukoko, komiseri atwara igipolisi mu ntara ya Bubanza yavuze ati : « Sintegera ingene umuntu ashobora gukubitirwa mu kigwati gushika aho apfa hanyuma ukamengo ntacabaye. Ababigize botegerejwe kumenyekana, bagahanwa. Umukuru w'umutumba niwe abazwa ivy'akarere kiwe kandi akishura ibihabera vyose. »

Bukeye, uwurongoye igipolisi muri komine Mpanda yarahagaritse Emmanuel Ndayiragije, umukuru w'umutumba w'aho Rasta yiciwe. Ndayiragije yaraye ijoro rimwe mu gasho ka komine Mpanda. Bukeye yaciye arekurwa, biboneka ko ari inyuma y'aho Buramatari avyinjiriyemwo akemeza ko ataruhara yagize muri ivyo vyashitse.

Amaze kurekurwa, inyamiramabi mu gipolisi yarabajije Ndayiragije ko yoba azi abakubise Rasta. Ndayiragije yarashize ahabona amazina atanu y'Imbonerakure zoba zaragize uruhahara, hanyuma inyamiramabi yaramuhaye imitahe yo kuzihagarika kugira ayibashikirize, ivyama vyabaye i Burundi. Umukuru w'igipolisi mu ntara yabwiye Ndayiragije ko azirondera « uko bishoboka kwose ».

Ariko hagati aho, Imbonerakure zari zateye Rasta zari zamaze guhunga ako karere, nta numwe yari azi aho zari.

Uwuserukira umugambwe uri ku butegetsi muri ako karere yari afise ibindi vyiyumviro. Hagushengeza mu butungane Imbonerakure, yavuze ko zizogaruka muzabo vuba kandi ko Ndayiragije adakwiye kuziha iyo mitahe yo kuzihagarika. Uwo aserukira umugambwe yaramusiguriye ko Buramatari, uwurongoye CNDD-FDD mu ntara i Bubanza na Musitanteri wa komine Mpanda bose bamenyeshejwe ingingo ko ari kureka Imbonerakure zigataha, ko imitahe itazotangwa kandi ko atawuzozihagarika. Yoba yaranababwiye mbere ko bategerezwa kwerekana ko womengo n'amatohoza abandanya.

Imbere y'impera z'ukwezi kwa Mukakaro 2021, izo mbonerakure uko ari zitanu zose zagarutse ku mutumba. Umunyagihugu aba ngaho yavuze ko « zagarukanye inguvu nyinshi » ko zasubiye gukizura, kenshi mw'ijoro, zifise inkoni, zabazagiza abanyagihugu. « Ababa ngaha barazi ko badashobora gutaha batevye (mugutinya ko bohura nazo) », vyemezwa n'umunyagihugu wo ku Mpanda.

Mu mpera za Kigarama 2021, umunyagihugu wo ku mutumba Rasta yapfiriyeko yavuze ko Imbonerakure – zarimwo zimwe muzakubise Rasta – zariko zigenzura umutekano kandi zahagarika, zikagumya abanyagihugu bagirijwe ko batashe iwabo bwije cane. Imbonerakure zaja muri ayo marondo zitwaza ko bigoye kuribo gutandukanya abanyagihugu basanzwe n'abasuma. Abanyagihugu bamwe mubahagaritswe bararishe Imbonerakure kugira zibarekure. Abategetsi bamwe bo muri Reta bafata Bubanza nk'intara idasanzwe kubera ihana urubibe na Repuburika ya Kongo iharanira intwaro rusangi kandi ko abarwanya ubutegetsi bakoresheje ibirwanisho bahagize ibitero haraheze imyaka mikeya.

Initiative pour les droits humains au Burundi (IDHB) yarandikiye Buramatari w'i Bubanza imubaza ivyakozwe n'abategetsi inyuma y'urupfu rwa Rasta n'impamvu imitahe yo guhagarika Imbonerakure zikekwa kuba zaragize uruhara itatanzwe. IDHB yarandikiye kandi umushikirizamanza w'i Bubanza imubaza ko yoba yaratanguje amatohoza kuri ivyo vyabaye. Nta numwe muri abo bategetsi babiri yishuye.

Mwipfuza kumenya vyinshi ku rukurikirane, soma « Ikiguzi c'urupfu ku batavuga rumwe na Leta ».

IDHB
www.burundihri.org
www.twitter.com/@BHRI_IDHB
contact@burundihri.org
+1 267 896 3399 (WhatsApp)